# 135: Mbega ko Yesu yatanz' amaraso

1. Mbega ko Yesu yatanz' amaraso
yiwe ku musaraba,
Ko yatanz' ubugingo bgiwe
agukure mu vyaha vyawe.

Ref: None se mugenzi uzomuh' ik' uwo
Mucunguzi,
Yatanz' amaraso ng' ukizw' ivyaha,
None s'uzomuh' iki?

2. Har' aho wigeze kwibaz' ivyiza
vyose biri mw ijuru?
Womeny' ivyo Yesu yasize
mw ijuru mu kuz' aha mw isi?

3. Uraz' imibabaro Yesu yagiz' ari
ku musaraba?
Uko bamutey' icumu akav' amaraso
bo n'amazi?

4. Womeny' urukundo
rw'akaburarugero Yes' agukunda?
Uraz' urugero rw'imbabazi ziwe
n'ikigongwe ciwe?

Visit us at burundi.indirimbo.com